ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »

Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 472 kuva kuwa 28 Ndamukiza-4 Rusama 2025

***Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991***

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°472 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***



***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva  kuwa 4 Rusama 2015 . Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 30 ntwarante 2025, abantu bashika  726 babuzwe irengero nibo ishirahamwe iteka ryumvise.***

**Ishirahamwe ITEKA :**

- ***Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),***
- ***rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zi-na muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.***
- ***Umuhari Iteka ugizwe n'Inani  mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32***

## *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| **BAC II** | : Umwana wa kabiri muri kaminuza |
| **BRARUDI** | : Ihinguriro ry'ibinyobwa mu Burundi |
| **CECI** | : Umugwi w'igihugu wigenga utegura amatora ku rwego rwa komine |
| **CENI** | :Umugwi w'igihugu wigenga utegura amatora |
| **CEPI** | : Umugwi w'igihugu wigenga utegura amatora ku gwego gw'intara |
| **CNC** | : Urwego rw'igihugu rwo kumenyesha amakuru |
| **CNDD-FDD** | : Urwego rw'igihugu ruharanira gukingira demokarasi-Urunani rugwanira demokarasi |
| **CNL** | :Ihwaniro ry'igihugu riharanira kwidegemvya |
| **DCE** | :Ubuyobozi bw'indero muri komine |
| **DPEAE** | : Ubuyobozi bw'ibidukikije,uburimyi n'ubworozi mu ntara |
| **ECOFO** | : Ishure shingiro |
| **FDLR** | : Urunani ruharanira demokarasi no kubohoza u Rwanda |
| **FLN** | :Urunani rw'igihugu ruharanira kwibohora |
| **FM** | : Fréquence Modulée |
| **FRODEBU** | : Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi |
| **M23** | : Umuhari wo kuwa 23Ntwarante |
| **OPJ** | : Inyamiramabi |
| **PV** | : Icegeranyo |
| **RN7** | : Ibarabara ry'igihugu rigira7 |
| **SOSUMO** | : Ishirahamwe rihingura isukari ryo mu kumoso |
| **UPRONA** | : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu |

| **Urutonde rw’ibirimwo** | **Urupapuro** |
|---|---|


0. INTANGAMARARA ........ 1
I.UMWIHWEZO ........ 1
I.1.UMWIHWEZO MURI POLITIKE ........ 1
I.2.ISHUSHO Y’UMUTEKANO ........ 6
II.UBURENGANZIRA BW’ABANTU NO MURI POLITIKE ........ 8
II.1.UBURENGANZIRA BWO KUBAHO ........ 8
II.1.1. Umuntu yishwe n’abantu bo muri Reta canke n’Imbonerakure ........ 8
II.1.2. Umuntu yishwe kubera yikekwako uburozi ........ 9
II.1.3. Abantu bishwe kubera ivyo baheraniraniye ........ 9
II.1.4. Umuntu yishwe n’abantu bataramenyekana ........ 10
II.2. GUTAHURANA MURI VYOSE ........ 10
II. 2.1. Kuborezwa igufa n’ayandi mabi atagira izina ........ 10
II.2.2.Amahohoterwa afatiye ku gitsina ........ 11
II.3. AGATEKA KUMWIDEGEMVYO ........ 12
II.3.1. Abantu bahagaritswe bagapfungwa bidakwirikije amategeko ........ 12
II.3.2. Agateka k’umwidegemvyo no kwishira ukizana ........ 13
III. AGATEKA KU BUTUNZI,IMIBANO N’IMICO KAMA ........ 15
III.1. AGATEKA KU NDERO ........ 15
III.2. AGATEKA KU MAGARA ........ 15
IV. AGATEKA K'ABANA ........ 16
V. GUSOZERA N’IMPANURO ........ 16

# 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo gishira ahabona amakenga gifise ku gateka ka zina muntu hamwe n'umutekano mu Burundi muri kino gihe kiraje ishinga co gutegura amatora y'abashingamateka n'abajenama. Iki cegeranyo gishira ahabona ibihe vya politike birangwa no kutubahiriza agateka ka zinamuntu.

Haharugwa abantu 5 bishwe ,harimwo abagore 3. Vyongeye, abantu 2 baraborejwe igufa harimwo uwufise ubumuga bwo mumutwe, abana b'abakobwa 2, umwe w'imyaka 5 uwundi 7, bafashwe ku nguvu hamwe n'abantu 3 bahagaritswe bidaciye mu mategeko harimwo umukenyezi ahetse akana k'amezi 3.

Agateka k'abantu no muri politike,agateka ku mibano, ubutunzi n'imico kama navyo nyene birihwezwa muri kino cegeranyo. Ivya politike n umutekano navyo ntibisigwa inyuma.

Imbonerakure, abapolisi n'abatware nibo ahanini bikekwako ayo mabi yo guhohotera agateka ka zina muntu.

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE

Umwihwezo wa politike yaranze ino ndwi yo kuva kuwa 28-04 Rusama 2025 uca ku mayange itegura ry'amatora ategekanijwe muriRuheshi, arikorirangwa n' iterabwoba, ikumirwa hamwe n' ukutihanganiranira muri politike bikorwa n'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

### Ibimenyetso vy'iterabwoba muri komine Mutaho yo mu ntara ya Gitega

Ibimenyetso vy'iterabwoba muri ibi bihe vy'amatora muBurundi biribonekeza muri komine Mutaho yo mu ntara ya Gitega. Kubwa Jean de Dieu, umunywanyi wa CNDD -FDD aba mu kigwati c'impunzi i Mutaho, yahawe ubutumwa bwo kwegeranya udupapuro abanuganugwa ko bazosiba biyandikishirijeko.Iryo yegeranywa ryararaba kandi abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD nyene,bikekwa ko bagomba gutora abatavuga rumwe na Reta.

Kubwo ayo makuru nyene, abantu bose biyandikishije ku ntonde z'abazohagarikira amatora ku tuzu tw'amatora ni abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD gusa. Kubwa Ndereyimana Andre, aserukira urunani u Burundi Bwa Bose muri komine, iyo ngendo iratuma bafata ko ari ugushaka gukwirikirana no gutera ubwoba abatora, biciye kubiri n'umugaragaro hamwe n'ibanga ry'amatora.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 1)*

**Agahaze ibikorwa vy'inyigisho z'abazokora ku tuzu tw' amatora mu ntara ya Gitega**

Muri iki gihe c'imbere y'amatora, icuka c'ukutumvikana kiragwiriye mu makomine atandukanye y'intara ya Gitega. Ibintu vyinshi bibuze birahari,bikazana ibibazo kuvyerekeye ubwizigirwa bw'abajejwe gutegura amatora.

Nkuko vyari vyavuzwe, intonde z' abagize utuzu tw' amatora bava mu mugambwe CNDD-FDD wonyene batiriwe baranacagura mubasavye ako kazi. Kubwo abaserukira iyindi migambwe ya politike, iryo cagurwa rihengama rigakumira imigambwe yabo, bigwiza akagaye kandi bironona icuka c'amatora. Nk' icemezo, ihugurwa ryambere ry ry'abagize utuzu tw'amatora ryagiriwe abava mu mugambwe CNDD-FDD bonyene. Iryo kumirwa ryatumye umugambwe UPRONA uvuga,usaba ko abanywanyi bawo nabo bohugurwa.Mukwishurwa,haratunganijwe ihugurwa rishasha kuwa Gatandatu 03 Rusama 2025 munyubakwa ya komine Bugendana ryagenewe abanywanyi batanzwe na UPRONA.

Naho biri uko,iyo ngingo yaseruye imyitwarariko mishasha. Mugihe ihugurwa risa naryo ryategerezwa kuba kuruwo wa gatandatu nyene muri komine nshasha ya Gitega (ivangwa ry'amakomine Gitega, Giheta, Makebuko na Itaba), ryigijwe imbere kunguvu rishirwa ku wambere, atansiguro ziboneka. Iryo yunguruzwe rizana inugwanugwa ry'ihindurwa ry'ikirangamisi hamwe n'ibigize ihugurwa.

Kubwa Nsabimana Emmanuel uwuserukira UPRONA muri komine Bugendana (nshasha igizwe n'ayahoze ari komine Bugendana na Mutaho), baribaza ku bituma vy'ayo mahugurrwa atandukanye. Aranaserura nk'ukutanisha vyibonekeza muko bafashwe kubera avuga ko, ihugurwa ry' abanywanyi ba CNDD-FDD ryamaze amasaha 6, mugihe iry'abanywanyi ba UPRONA ritarenza amasaha 2. Ubwo butandukane ku mwanya bushobora kugira inkurikizi ku kanovera k'ihugurwa kandi bikerekana gushaka vyinyegeje kutanganisha amahirwe imigambwe.

Kunyubakwa y' umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine yagutse ya Mwaro [urimwo amakomine ya kera Bisoro, Gisozi na Kayokwe], intonde z'abagize utuzu tw'amatora hamwe n'abaserukira ibirindiro vy'amatora zaramanitswe ku wa 23 Ndamukiza 2025. Abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD bonyene nibo bari kuntonda. Muri komine Rusaka, ku birindiro bimwe vy'amatora, abava mu mugambwe uri ku butegetsi ntibarose amahirwe yo kujamwo. Kuri ubwo,abantu bamwe bamwe baba ku mugwa mukuru w'intara ya Mwaro barabikozeko baja kuri izo ntonde kubera bari mu mugambwe. Kuva ku wa kane 24 Ndamukiza 2025, abo bose bagize utuzu tw'amatora baronkejwe ihugurwa bijanya. Abahugurirwa mu Rusaka mugabo baba i Mwaro ku murwa mukuru w'intara bunguruzwa na Carine Kaneza musitanteri wa komine mungendeshwa ya komine.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 2)*

### Ikumirwa ry'abanywanyi batavuga rumwe na Reta mu bikorwa vy'amatora muri komine Nyanza intara ya Burunga

Mugihe amatora y'abashingamateka yimirije, CENI yerekana ko yinuba imigambwe itari kumwe n'umugambwe CNDD-FDD. Imigambwe biraba ni UPRONA, FRODEBU, KAZE-FDD na CNL bidogera abatwara ama CECI banka kwakira umuntu n'umwe yoba ari kurutonde rw'abatora.

Kuri ubwo, muri komine Nyanza intara nshasha ya Burunga, atuzu 760 twose tuzoserukirwa n'abayobozi b'amashure yatowe nk'abarongozi b'utuzu tw'amatora, bunganirwe n'urwaruka rw'Imbonerakure.

Inyuma yaho bahamagariye gutanga akazi kubashaka guhagarikira amatora, imyidondoro yabo yakiriwe ntiyarabwe mugihe intonde zari zarakozwe mu ngoro z'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rwa komine. Twibutse ko umugenzo muguharura amajwi, abaserukira imigambwe hamwe n'amashirahamwe y'abigenga batagira uburenganzira bwo kwinjira munyubakwa yabereyemwo amatora ; abagize akazu k'amatora bonyene nibo babitekuriwe.

### Utunenge mu gihe c'ihugurwa ry'abahagarikira amatora mu ntara ya Gitega na Kitundo

Kuva aho CENI imenyeshereje abanyagihugu ko bosaba akazi ko gutanga amakarata hamwe n'abagize utuzu tw'amatora, igikorwa co kugurura amabahasha cabaye hagati y'uwa 21 n'uwa 28 Ndamukiza 2025.

Abagize CECI Karusi baronse urutonde rukoze neza rw'abagize utuzu tw'amatora bose hamwe n'abazotanga amakarata y' amatora ba komine yose yagutse ya KARUSI igizwe n' ama komine 4 ya kera ariyo Bugenyuzi, Buhiga, Gitaramuka na Mutumba.

Kubwo ivyabona bihaba, uwurongoye CECI, Sakubu J.Pierre arikumwe na CEPI akurikirana komine Karusi Ninziza Gerarad yavuze ko urwo rutonde rwavuye hejuru aca ategeka abagize CECI gushira umukono ku cegeranyo cagizwe muri iyo ntumbero, avuga ko urwo rutonde rwagizwe n'abagize umugwi CEPI.

Umunywanyi umwe wenyene wa UPRONA yarageragеje kuvyanka ariko uwurongoye CECI be n'umu CEPI akurikirana komine baramuteye ubwoba, bamubwira ko kugagaza kwiwe ataho kuzoshika naririya ari umwe. Baranabimenyesheje uwuramutswa CNDD -FDD hamwe n'igendereza baca bamuhamagara kuri ngendanwa bamubwira ko atagira ico avuga, ko umutekano wiwe awushize kubugi ari naho yashira umukono ku cegeranyo cakozwe imbere. Nk'ukwibutsa muri CECI Karusi,abagize uugwi ni ni 7 harimwo 6 bava muri CNDD-FDD n'umwe wo muri UPRONA.

Kubw 'ico kinege ca UPRONA, abarongoye umugambwe wiwe ku rwego rw'igihugu yarabibamenyesheje, nabo babimenyesha CENI ariko ntanakimwe cakozwe.

**Mu ntara ya Kirundo,** amahugurwa yarateguriwe abagize ibirindiro vy'amatora hamwe n'ababirongoye bikozwe n'abagize umugwi CECI Kirundo irongowe na Macumi Onesime.

Kuwa 24 Ndamukiza 2025, ihugurwa ryateguriwe abagize utuzu tw'amatora muri komine Bugabira kandi ryabereye munyubakwa ya paruwase Ruhehe.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 3)*

Kuwa 25 Ndamukiza 2025, hari haramukiwe abagize utuzu n'abaturongoye muri komine Ntega, kuwa 26 Ndamukiza 2025,

komine Vumbi munyubakwa ya paruwase Gasura, bahereza kuwa 27 Ndamukiza 2025 ihugurwa ry'abagize ibiridiro vy'amatora muri komine Kirundo munyubakwa ya DPEAE Kirundo.

Mu burere bwose, inyuma y'ihugurwa, uwutwara CECI ariwe Macumi Onesime yafata umwanya wo gusigarana na n'abatwara ibirindiro vy'amatora aho yababwira mururimi rw'ikirundi : « Nshaka ijana kw'ijana,ntawuzobakorako mukingiwe hose ».

**Umwiteguro w'amatora mu mugambwe CNDD-FDD mu ntara za Ruyigi, Rutana na Makamba**

**Mu ntara ya Ruyigi,** kuwa 29 Ndamukiza2025, munyubakwa ya'amanama ya zone Rugongo, komine Butaganzwa, CNDD-FDD yagirishije inama y'urwaruka rw'abigeme bahurikiye muri uwo mugambwe muri zone yose. Kubwo amakuru dukurayo, iyo nama yagirishijwe na Onesime Ngendandumwe, aserukira umugambwe ku rwego rwa komine Butaganzwa akaba n'umuyobozi w.indero muri komine muri iyo komine nyene.

Mw'ijambo ryiwe, yatumiriye imbonerakure zo muri iyo zone kwitegurira neza amatora kandi bagahimiriza abanywanyi bose b'uwo mugambwe gutora amakarata yo gutorerako, igikorwa categekanijwe mundwi y'uwa 12 Rusama 2025 kubw'ikirangamisi ca CENI. Ni ugucunga ko umunywanyi wese w'umugambwe yatoye ikarata muguca kunzu kunzu kandi intagondwa zizohanwa nk'uko vyabaye mugihe c'ukwiyandikisha mu matora,yongyeko. Yabandanije avuga ko kumusi w' amatora, bazotegerezwa kuvyuka kare cane, bakagenda ku birindiro vy' amatora kugira bacunge umutekano w'ico gikorwa.

Yaribukije igikorwa c'abaserukira Imbonerakure muri zone Rugombo kugira bisuganye ku kirindiro cose c'amatora,hazobe nk' Imbonerakure 2 canke 3. Zicunga umutekano. Kubwa Onesime Ngendandumwe, Imbonerakure yose izohabwa ikirindiro c'amatora ku mutumba abako kimwegereye kumvo zibiri :

Gucunga umutekano w'umutumba wiwe hamwe no kuraba uruja n'uruza rw'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta.

Kuraba ko bose baje kukazu k'amatora kuko bafata ko bazi ababa ku mitumba iwabo bose.

Twomenyesha ko iyo zone iteye ubwoba cane umugambwe uri ku butegetsi kubera bayifata nk'icumbi rya umugambwe CNL, ibaba rya RWASA. Muri iyo ntara nyene ya Ruyigi,inama y 'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD yarateguwe kuwa 3 Rusama 2025, ku mutumba Itaba, zone Rugongo, komine Butaganzwa.

Kubwo amakuru dukurayo, iyo nama yagirishijwe na Onesime Ngendandumwe aserukira umugambwe CNDD-FDD muri komine. Intumbero y'iyo nama ni ukwitegurira neza amatora yimirije.Ya teye akamo abanyagihugu muri Rusangi n'abagumyabanga cane cane ko bokwitegurira neza amatora ategekanijwe mu kwezi kuza yongera ategeka umwe wese guhimiriza aho aherereye kuri ico gikorwa.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikikira urupapuro 4)*

**Kuvyerekeye intara ya Rutana,** muri komine Bukemba umugambwe CNDD-FDD wagize inama kuwa 29 Ndamukiza 2025 i Kabanga, Murama-Rugwe na Muyombwe ; kuwa 30 Ndamukiza 2025 i Ruranga hamwe na 03 Rusama 2025

i Butare. Muri ayo manama yose, ku rutonde rw' ivyigwa hari gutegura amatora.

Muri komine Giharo yo mu ntara ya Rutana nyene, umugambwe uri ku butegetsi wateguye inama zitandukanye kandi mu ma nama yose, intumbero yari imwe : kwitaba amatora. Kuwa 2 Rusama 2025, habaye inama y'umugambwe uri ku butegetsi muri zone Butezi, umutumba Kibimba, Butezi na Mutwana ; muri zone Giharo ; umutumba Giharo nao muri zone Gakungu, umutumba wa Ngomante. Kuwa 03 Rusama 2025, haramukiwe ama zone (1) Giharo, umutumba Kanyererwe,Giharo na Nkudye ;(2) zone Gakungu, umutumba Gakungu na Nyamateke ;(3) zone Muzye, umutumba Shembe na Muzye hamwe na (4) zone Butezi, imitumba Butezi,Mutwana na Mwebeya.

Kuwa 03Rusama 2025, ku mutumba, zone na komine Musongati, umugambwe CNDD-FDD wagize inama y'urutonde rw'ivyigwa : (1) amahoro n'umutekano, (2) gutora amakarata y'amatora.

Ku mus iwa 1 Rusama 2025, muri komine n'intara ya Rutana, harabaye inama y'abaserukira umugambwe CNDD-FDD ku mitumba ya zone Kivoga mu ntumbero yo gutegura amatora yimirije be no kuwa 03 Rusama 2025, hari haramukiwe umutumba Karinzi kuntumbero imwe.

Kuwa 03 Rusama 2025 muru komine Mpinga-Kayove, umugambwe CNDD-FDD wateguye inama y'Abagumyabanga bo muri zone Kayero mu ntumbero yo gutegura amatora yimirije. Muri iyo komine indwi yo kuva kuwa 28 Ndamukiza gushika kuwa 5 Rusama 2025, yaranzwe n'icuka ciza hagati y'abanywanyi b'imigambwe itandukanye.Vyongeye kuwa 03 Rusama 2025, muri komine Gitanga ,intara ya Rutana, uwuserukira umuhari w'urwaruka rw' Imbonerakure muri zone Nyakuguma yakoranije Imbonerakure zo muri iyo zone kandi kurutonde hariko : (1) amahoro n'umutekano hamwe na (2) integuro y'amatora.

**Kuvyerekeye intara ya Makamba**,ku wa 28 Ndamukiza 2025, muri komine Kayogoro, umugambwe CNDD-FDD uciye ku bajejwe kuwigisha muri zone Kayogoro wateguye kugendera inama shingiro zoku gacimbiri Murangara hamwe n'izo muri karatiye Swahili kugira bahimirize abanyagihugu bazosidukane niyonka mumatora kandi batore ama karata kare. Kubwo amakuru dukurayo,muri zone Bigina, abatwara umugambwe CNDD-FDD bo kumutumba Mayange hamwe n'abigisha umugambwe bagize inama ku gacimbiri KIbirizi bafise ku rutonde rw ;ivyigwa witaba amakora ya 2025.

Kuwa 29 Ndamukiza 2025, muri zone Kayogoro, uwuserukira umugabwe uri ku butegetsi ku mutumba Kabizi yagendeye inama nshingiro z oku mutumba Buyenga kugira bategure amatora bongere bakire umunyamabanga mukuru w 'umugambwe CNDD-FDD yaja kugendera zone kayogoro kuwa 04 Rusama 2025. Kuri uwo musi nyene, abigisha umugambwe bo ku mutumba Kibimba bahuye n'Abagumyabanga bo kuri uwo mutumba kugira babahimirize bazotore amakarata ubwambere. Kuri uwo musi nyene kandi, umunyamabanga wa mbere w'umugambwe CNDD-FDD yagendeye Abagumyabanga bo mu ma zone

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 5)*

Kayogoro na Dunga. Mw'ijambo ryiwe, iruhande yo gutegura amatora, yaragarutse kw'iyugurura ry'imyiyamamazo y'amatora mu ntara Burunga ritegekanijwe kuwa 16 Rusama 2025.

### Imbonerakure Gisagara, intara ya Cankuzo zadurumbanije ibikorwa vy'umugambwe UPRONA muri komine

Ku wa 27 Ndamukiza 2025, ku mutumba Kigati, komine Gisagara, intara y Cankuzo, urwaruka rw' Imbonerakure rwo kuri uwomutumba rwaradurumbanije ibikorwa vy'umugambwe UPRONA,bahagarikiwe n'uwuserukira umuhari w'Imbonerakure kuri ako gakumba yitwa Jean Claude azwi kuritazirano rya Fundi, aherekejwe na Eric, Firmin na Terence. Iyo nama y' umugambwe UPRONA yari irongowe na Leopold Hakizimana aserukira umugambwe UPRONA muri komine Gisagara.

Kubwo amakuru dukurayo, urwo rwaruka rwagiriza abarongoye umugambwe UPRONA kugira inama ata ruhusha rwa Musitanteri. Abanywanyi b'umugambwe UPRONA barashavujwe n'iyo ngendo y'urwo rwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi rushaka gusubirira ubutegetsi, ivyo bafata nko kutihanganiranira muri politike. « kubwo itegekorigenga imigambe, mu kugira inama canke igikorwa cose c'umugambwe,ntibasaba uruhusha, ahubwo baramenyesha ubutegetsi », vyasiguwe n' uwurongoye umugambwe UPRONA abwira izo Mbonerekure.

Kuwo ayo makuru nyene,inama yatanguye yacerewe amasaha abiri inyuma y'aho haziye Gratien Nitunga, Musitanteri wa komine Gisagara yaterefonye uwuserukira umuhari w'urwaruka kuwo mutumba Kigati kugira areke umugambwe UPRONA ubandanye ibikorwa vyari bitegekanijwe kuri uwo musi.

## *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

Muri kino gihe c'iki cegeranyo, umutekano waranzwe n'imyimenyerezo ya gisirikare mu Cibitoke hamwe n'uruhagarara mu bumanuko bw'igihugu.

### Imyimenyerezo ya gisirikare igirwa n'imbonerakure itera amakenga mugihe amatora yimirije

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa o4 Rusama 2025 ivuga ko haciye amezi arenga abiri,icuka c'uruhagarara rwibonekeza ruri mu ntara ya Cibitoke, aho imyimenyerezo ya gisirikare igirwa n'Imbonerakure iriko iba mu gacerere karengenze k'abarongozi. Iyo myimenyerezo, ishobora kuba igirishwa n'abanywanyi ba FLN na FDLR, inyeshamba zigwanya Kigali,zirashira mu ruhagarara abanyagihugu, canecane mugihe himirije amatora. Abantu baratera akamo biyamiriza iryo koreshwa ry'urwaruka kumvo zirenga n'imbibe z'igihugu kandi bigamije gutera ubwoba abatavuga rumwe na Reta.

Mu makomine nka Mabayi na Bukinanyana, ibirindiro vy'ibikorwa vya gisirikare, Imbonerakure zirakwirikirana n'ubwira imyimenyerezo ya gisirikare myishi haciye imisi irenga 60. Iyo myimenyerezo igwiriye nko mu micungararo y'ingoro y' umugambwe, iri ku birometero 3 y'inyubakwa y'intara aho Buramataru akorera.

Amakuru dukura mu Gisirikare, uwutashimye kwivuga, yemeza ko

igendurwa ry'iyo myimenyerezo rikorwa n'abasirikare bari ku kivi b'imigwi FLN na DFLR, kubwo ibitero bigamije kudurumbanya Reta ya Kigari.Abo bamenyereza boba bazana imikenyuro n'ubuhunga mu kugwana, bizokoreshwa n' urwaruka rwinjijwe.

Kubwo amakuru menshi dukura hirya no hino,urwo rwaruka rwigishijwe gutyo rwoba ruca rurungikwa muri Kongo, aho bahamvya abari ku rugamba ku ruhande rwa Kongo, imigwi yitwaje ibirwanisho yitwa Wazalendo, hamwe na bamwe bo muri FLN na FDLN ;intumbero yabo ari ukwiyandikisha mu barwanyi bagwanya inyeshamba za M23 zibangamiye intara zo muburaruko no mu bumanuko bwa Kivu.

« Abagenzi benshi baramaze gupfira ku rugamba.Baturungika kurwana mu ntambara itari iyiwacu », bivuga n'umwe mu rwaruka rwari mu nyigisho. Imiryango igandaye,ifise umuruho wo kubura ababo, nk'uyu muvyeyi yabuze abana babiri mugihe haba ibitero bikomeye mu Kaziba n'i Nyangezi, baridogera n'ishavu ryinshi iyinjizwa kunguvu mu ndyane zo hanze zitategerezwa guhitana ubuzima bw'urwaruka rw'abarundi.

Mu gihugu hagati, ivyo bikorwa vya gisirikare naho birahari kandi biratera ubwoba muri politike. Ibere y'amezi make ngo amatora nyezina,abasemerera baguma baba benshi biyamiriza ikoreshwa ry'urwo rwaruka muntumbero yo gutera ubwoba mumatora, bigamije guhuvya inzira ya demokarasi.Umutama arenza imyaka 80 basanzeho avuga ko afise amakenga menshi, akagiriza intwaro ihari gutegura imyiyamamazo ifatiye ku mabi no ku bwoba, bituma gutyo habura imigambi ya politike nyayo ishobora gutsinda amatora n'ivyiyumviro bikomeye.

Bakimubajijeko, Buramatari wa Cibitoke ariyamiriza ivyo birego vyose ,akavyita ibihuha bitagira ifatiro be n'ibigeragezo vyoguhungabanya.Uwundi avuga nkawe ni uwuserukira imihari ihengamiye ku mugambwe uri ku butegetsi, ashikiriza ko guhimiriza urwaruka bigamije « gutsimbataza amahoron'umutekano, mubenegihugu » vyonyene.

Ariko rero, mu karere ka Kibira, indirimbo za gisirikare ziguma zisamirana hamwe n'imihari inuganugwa kandi abitwaje ibigwanisho biguma bidurumbanya ituze ry'abantu,bikazana icuka c'ubwoba hamwe n'ukutizera kuri kazoza n'ituze mu matora.

**Umupolisi yakomeretse muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 1 Rusama 2025, umu polis iwa komine Rumonge yarakomeretse ku kuboko kw'i bubamfu, mugihe bariko bahagarika Prosper Baricako wo ku mutumba Mugara, komine n'intara ya Rumonge.

Kubwo ababibonye,Prosper Baricako yari yanse ingingo ya sentare kuvy'amatati y'itongo aca akomeretsa umu polisi akoresheje umupanga.

Umupolisi kandi yarakomeretse bukebuke kw'izosi no ku mutwe kuko uwahagarikwa yaramugwanije imbere yuko ajako iminyororo. Muri iki gihe, abohewe mw'ibohero rya komisariya y'igipolisi mu Rumonge. Umupolisi nawe,yaciye ajanwa mu bitaro bikuru mu Rumonge kugira avugwe.

Kubwo ababibonye nyene, umukuru w'umutumba yari amaranye i misi umutahe wa parake yo mu Rumonge ariko uwo mugabo yari yavuze ko ata n'umwe yikeka.

## *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 7)*

**Umuntu yahagaritswe kubera urudandazwa rw'abantu muri komine n'intara ya Rumonge**

Inkuru yadushikiriye kuwa 4 Rusama 2025 ivuga ko kuwa 21 Ndamukiza 2025, Ficela Bikorimana wo kumusozi Cabara, komine n'intara ya Rumonge, afise imyaka 25, yahagaritswe yagirizwa urudandazwa rw'abantu. Mubo yagirizwa yarungitse i Tanzaniya, harimwo Estella Nishimwe, afise imyaka 16 na Josepha Irakoze, afise imyaka 17 bose b oku mutumba Cabara.

Kuva abavyeyi bamenye ko abana babo bagiye,barituye igi polisi kugira kibagarukanire abana.

**Igitero n'umupanga muri komine Nyanza lac, intara ya Makamba**

Kuwa mbere Rusama 2025, ku mutumba Bukeye wa zone na komine Nyanza lac, intara ya Makamba, umuryango wa Dieudonne Nininahazwe na Evangeline Niyonganji hamwe n'abana babo 5, waratewe n'umubanyi kumuhana iwabo.Uwo yabateye ni Emmanuel Sindayigaya asukura kuri sentare y'intango akaba kandi n'umunywani wa CNDD-FDD. Yari afise umupanga hanyuma amurabutswe,yaciye yiruka kwiyugarana muyindinzu. Uwo nawe yaciye atema ikigazi giteye imbere y 'inzu yabo kugira agabanye ishavu.

Bukeye bwaho nk'igihe c'isaha 12 z'umuhingamo, yaritwaye ahereye kuwutwara karatiye aramwihoza hama ku nyamiramabi nayo ntiyamufasha. Asavye umutahe wa 2, inyamiramabi Celestin yababwiye ko imitahe yiwe igugwa imbere yo gutangwa. Iyo nkozi y'ikibi ntiyigeze arenguka gushika ubu kiretse ko yahaye ibahasha inyamiramabi abo yagiriye nabi babona.

# *II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

## *II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO*

### *II.1.1. Umuntu yishwe n'abantu bo muri Reta canke n'Imbonerakure*

**Umuntu yishwe muri komine n'intara ya Gitega**

Kuwa 29 Rusama 2025, nk'igihe c'isaha 2 n'igice zo mw'ijoro,muri karatiye Nyamugari, komine n'intara ya Gitega, Butoyi Damas afise imyaka 38, umudandaza atembereza ibirato,avuka mu Kayanza,yarishwe n'akagwi k' Imbonerakure biyita abajejwe umutekano.

Kubwo amakuru dukuraho, ivyo vyabaye hari aba polisi 2 ataco bagize.Uwishwe yarataye ubwenge hama aracikanira aho nyene Imbonerakure zitigeze zifatwa canke ngo zimenekane gushika ubu zimaze guhunga. Kubwo ayo makuru nyene, ikiiga c'uwishwe cajanywe mu buruhukiro bw' ibitaro vya Gitega mukurindira ko umuryango ushika bamushingure.

## *II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO (Ibikurikira urupapuro 8)*

### *II.1.2. Umuntu yishwe kubera yikekwako uburozi*

**Umukenyezi yishwe muri komine n'intara ya Muyinga**

Kuwa 21 Ndamukiza 2025, kugacimbiri Rukanya, umutumba Gahororo, zone Munagano,komine n'intara ya Muyinga, Bizimana Leoncie, afise imyaka 65, yaricishijwe umupanga na Joao Radjabu umunyezamu kuruhongore rwaho.

Kubwo ivyabona vy'aho, uwagirizwa icaha yavuze ko yibaza ko ari umusuma amuteye mugihe umuhisi yariko arengana yafi y' uruhongore.Bizimana Leoncie yahowe ko bamuvugako uburozi kubera ari umubanyi wa Radjabu. Uwabikoze yarahagaritswe aca ajanwa ku nyamiramabi i Muyinga aho abohewe.

**Umukenyezi yishwe muri komine Nyabitsinda intara ya Ruyigi**

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 4 z'ijoro,ku muhana iwe, ku mutumba Mirehe, komine Nyabitsinda, i ntara ya Ruyigi, umukenyezi yitwa Amelie Barigenza, afise imyaka 50, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, yarishwe aciwe umutwe ku muhana wiwe yicwa n'abantu bataramenyekana.

Kubwo amakuru dukurayo, ubwo bwicanyi bwabaye mu gihe umucance wiwe yari yagiye kugura ibuye ry'itoshi aca agaruka asanga ikiziga c'umukenyezi wiwe kirambaraye imbere y'umuryango w'inzu. Umuhisi yaciye ahambwa bukeye bwaho n'ubutegetsi ku rwego rwa komine. Uwo mukenyezi yoba yari yagirizwa uburozi. Amatohozwa ariko arakorwa kugira hamenyekane ico yiciwe n'abamwishe.

### *II.1.3. Abantu bishwe kubera ivyo baheraniraniye*

**Ikiziga catowe muri komine Muha, Bujumbura**

Kuwa 28 Ndamukiza 2025, muri karatiye Kajiji, zone Kanyosha komine Muha, mu gisagara ca Bujumbura, ikiziga ca Athanase Ngirakimazi, afise imyaka 50 avuka muri komine Vugizo, intara ya Makamba,casanzwe ku muhana wiwe.

Uwo mugabo, adondorwa n'ababanyi biwe nk' umudandaza wa rimwerimwe, yoba yatakaje ubuzima mubintu bidatahuritse.

Kubwo ivyo twakuye mu babanyi, ukuntu ikiziga cari caraboze cane vyaboneka ko yoba yapfuye imbere yo kuwa 25 Ndamukiza 2025. Yahambwe mw'itongo ryo mu Kanyosha, riri muri karatiye Gisyo, bikaba vyoroshe kubera ishirahamwe ry'umusaraba utukura. Uko guhambwa vyihuta, vyoba vyavuye kumvo z'uko ikiziga kimeze, hamwe n'ukutabona umuryango umwegereye wari uhari ubwonyene, vyunyuye agashavu kuri iryo bara.

Ibikorwa vyambere vy'amatohoza bisa n'ibihurira kumvo z'amatati y'amatongo. Ikivi c'uwo muhisi casa n'icazanye icuka kibi. Muri iyo ntumbero, banuganuga cane uwo bavukana, Emmanuel Ndayiziga. Indyane zidahera kuri ico kivi zari zarabacanishijemwo, bituma ariwe nyamukuru bikeka ko ako kabi kubwo abahaba.

*II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO (Ibikurikikira urupapuro 9)*

*II.1.4. Umuntu yishwe n'abantu bataramenyekana*

**Ikiziga c'umukenyezi catowe muri komine Butaganzwa, intara ya Ruyigi**

Kuwa 3 Rusama 2025, ku mutumba Batye, komine Butaganzwa, intara ya Ruyigi, ikiziga c'umukenyezi ataramenyekana caratowe. Kubwo amakuru dukurayo,ico kiziga catowe n'umukenyezi yariko arahira icarire c'inka ziwe.Yumvise umununko,aca araba hirya yiwe, niho yarabukwa ahantu bahamvye ikintu. Yaragerageje gufukura kugira arabe ikiriyo aca abona ko ari umuntu bahamvye ho.Ubwo nyene, yaciye asemerera abantu bariko barima nk'ishirahamwe Sangwe. Abo nabo babwiye uburongozi bwo kumutumba ari nabwo bwaciye bubimenyesha uburongozi bwo mw'i komine.

Kubwo ayo makuru nyene, Remy Ndarufatiye, Musitanteri wa Komine ari kumwe n'inyamiramabi ya komine barashitse aho hantu baca batanga itegeko ryo kuzura ikiziga baca bakijana mu buruhukiro bw'ibitaro vya komine Butaganzwa kugira batangure amatohoza ku mwidondoro w'uwo yapfuye,ivyatumye yicwa hamwe n'abamwishe. Twomenyesha ko uwo yishwe ata numwe mwako karere yashoboye kumumenya.

*II.2. GUTAHURANA MURI VYOSE*

*II.2.1. Kuborezwa igufa, kwicwa n'ayandi mabi atagira izina*

**Umuntu yaborejwe igufa muri komine Buhiga yo mu ntara ya Karusi**

Kuwa 29 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 10, ku musozi,zone na komine Buhiga mu ntara ya Karuzi, uwitwa Sebushahu, agwaye mu mutwe, avuka ku mutumba Gashanga, zone na komine Bugenyuzi yarakubiswe n'Imbonerakure harimwo Issa Nizigiyimana, aherekejwe n' umukuru w'Imbonerakure za zone Buhiga, Jerôme.

Kubwo abavyiboneye,baramusatse hama basanga mu mifuko imbugitayakoresha mu gusambura imva zo mw'itongo ry'abapfuye i Buhiga. Baramukomerekeje ku kuboko no ku kuguru kw'i buryo n'iyo mbugita nyene baca baramukubitisha urutsinga rw'amatara uwo mukuru w'Imbonerakure muri zone yama afise ku pikipiki.

## *II.2. GUTAHURANA MURI VYOSE (Ibikurikira urupapuro 10)*

**Umuntu yaborejwe igufa muri komine Nyanza-Lac, intara ya Makamba**

Mwijoro ry'uwa 2Rusama 2025, hafi isaha 3 z'ijoro,ku mutumba Kabo, zone Muyange, komine Nyanza-Lac mu ntara ya Makamba, Jonas Niyomwongere, umunywanyi w'umugambwe Sahwanya-FRODEBU wo mu runani Burundi bwa Bose,yaratewe n'akagwi k'Imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD zifise imipanga, zirongowe n'uwitwa Benjamin Niyoyankunze.

Kubwo ababibonye b'aho, bamuhagaritse mugihe yari atashe ku muhana, batangura kumubazagiza,bamubaza iyo avuye,hanyuma baramukubita. Kubwo abo nyene babibonye, yarakomerekejwe ku kuboko kw'ibubamfu hakoreshejwe umupanga. Yarajanywe kw'ivuriro rya hafi kugira avurwe. Ababa muri komine Nyanza-Lac, cane cane abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta baranegura inyifato itabereye y' Imbonerakure ifatwa nk' iterabwoba muri iki gihe c'amatora.

### *II.2.2. Gufata nguvu n'amabi afatiye ku gitsina*

**Umwana w'umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine n'intara ya Muramvya**

Kuwa 30 Ndamukiza 2025, ku mutumba Biganda, agacimbiri Kabonobono, muri komine n'intara ya Muramvya, Haringanji Galena Jesca afise imyaka 5 yarafashwe ku nguvu na Eloge Itangivyiza, afise imyaka 26, umubanyi, umurimyi akaba n'Imbonerakure.

Kubwo uwafashwe ku nguvu, yari muhira wenyene aho umuvyeyi wiwe Iradukunda Esperance yari yagiye kuvoma amazi kw'isoko ryiza riri ahantu bagenda iminota 20 n'amaguru. Uwikekwako icaha yari yarungurutse ko uwo muvyeyi agenda hanyuma aca araza mu rugo. Yahaye igitumbura n'ikimanyu c'umusigati uwo mwana imbere yo gukora iryo bara. Kubwa Esperance,mugihe yari agarutse, umwana yariko ararira ari gusa. Yarafise ibimenyetso biboneka ko yafashwe kunguvu,kandi uwakoze icaha yibagiriyeho umuhoro, uwo muvyeyi aca arawumenya.

Uwakorewe icaha yajanywe kubitaro vy'imuramvya kandi ibipimo vyo kwa Muganga vyaremeje iryo fatwa ku nguvu. Uwabikoze yarahagaritswe n'izindi Mbonerakure zica zimujana muri komisariya y'igipolisi i Murrramvya aho yugaraniwe.

**Umwana w'umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 29 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 12, ku mutumba Mutambara, komine n'intara ya Rumonge, Marie Ange Irangabiye, afise imyaka 7 yarafashwe ku nguvu na Nsengiyumva Audace, umubanyi, yari yemereye umusigati nyina wiwe hanyuma aca amurungika kuwutora.

Umwana ashitse muhira, iyo nkozi y'ikibi yarugaye imyango aca akora iryo bara abanje kumupfunga umunwa akoresheje igishambara.

Amaze kubona ko haciye umwanya munini atamubona, nyina wiwe yaragiye kumurondera aca asanga imyango y'inzu yugaye hamwe n'abandi bana bahari bumviriza induru bumviye kure. Muri ico gihe,yakoma induru atabaza kugira atake ababanyi. Umwana yaratwawe ku kigo Humura kugira afashwe. Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe ajanwa kuboherwa muri komisariya ya polisi Rumonge.

### *II.3. AGATEKA KUMWIDEGEMVYO*

#### *II.3.1. Guhagarikwa no gupfungwa bidaciye mu mategeko*

**Umunywanyi wa CNL, ibaba rya Rwasa yahagaritswe muri komine n'intara ya Ngozi**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 28 Ndamukiza 2025 imenyesha ko kuwa 19 Ndamukiza 2025, ku mutumba Nyabihanga,zone Mugomera, komine n'intara Ngozi, Elias Niyonkuru, umuyoboke wa Agaton Rwasa yarahagaritswe n'umukuru w'uwo mutumba, Bizabishaka Damascene, amwagiriza uburozi. Kubwo ababibonye b'aho, Elias Niyonkuru ari mw'ibohero rya zone Mubuga, komine Ngozi inyuma y 'imisi 9 yamaze mw'ibohero rya zone Mugomera. Ntiyigeze yumvirizwa n'inyamiramabi. Elias Niyonkuru, kubw'umuryango wiwe, apfungiwe ahantu habi kubera basohoka gake. Umuryango wiwe usaba ko yorekurwa akidegemvya.

**Umuntu umwe yahagaritswe muri komine Buhiga, intara ya Karusi**

Kuwa 28 Ndamukiza 2025, hafi isaha 9, ku mutumba Buhiga, zone na komine Buhiga intara ya Karuzi,Niyonkuru, akora amakinga, avuka ku mutumba Mwoya, zone na komine Buhiga yarahagaritswe na Nizigiyimana Issa, ategetswe n'uwuserukira Imbonerakure bita Elysee.

Kubwo abavyiboneye, yarabanje aramukubita ingumu gushika aho amuvisha umwuna. Inkomoko yo gufatwa ni kubera aheraniye Mugishawimana Aline amahera angana na 800.000 y'amarundi,umunyeshure yiga muri kaminuza y'u Burundi yakora Lumicash imbere yo kuja i Bujumbura. Uwagirizwa icaha yari yakoresheje ayo mahera mu mikino yo gutigira ariko ntiyatsinda. Yari yemeye kuriha bukebuke, ariko izo Mbonerakure zamutwaye mw'ibohero rya polisi Buhiga bavuga ko azohasohoka amaze kuriha yose.

**Gupfunga bidaciye mu mategeko umukenyezi n'akana muri komine Bugendana intara ya Gitega**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 2 Rusama 2025 ivuga ko kuwa 24 Ndamukiza 2025 mu Mutoyi, komine Bugendana, intara ya Gitega, Nibizi Goreth yarahagaritswe hanyuma arapfungwa mukizu c'ivyuma c'abapolisi b'i Bugendana hamwe n'akana kiwe gafise amezi 3.

Kubwo amakuru dukurayo,iryo hagarikwa ryiwe ryabaye kubera umushingantahe wiwe yahunze,kubera atarishe amahera y'ibitaro umwana yavuriweko yamugonze n'ipikipiki. Inyamiramabi Kagoma Salvator ikorera muri zone Mutoyi, yamuhagaritse, yaruhiye kumurekura inyuma y'umutaga abamenyesha makuru bahashitse bakabaza komiseri wa komine kuri ico kintu.Nawe, kubikwirikira, yaciye aha itegeko iyo nyamiramabi ryo kurekura uwo mukenyezi.

## *II.3. AGATEKA KUMWIDEGEMVYO (Ibikurikira urupapuro 12)*

### *II.3.2. Agateka ko gushikiriza ivyiyumviro hamwe n'ubw'ibinyamakuru*

**Umumenyeshamakuru ashira ahabona itohoza ry'amabi kandi asaba gukingirwa**

Kubwo umuvuduko uteye ubwoba w'amabi agirigwa abamenyeshamakuru, cane cane mu ntara, abamenyesha makuru b'abarundi barasemerera.Batera akamo ko gutabaza abarongozi kugira babahe uburenganzira bwo gushikiriza amakuru kandi bashire mu butungane abobakora amabi atawoyemera.

Ibintu mu Burundi vyabaye urudubi ku bamenyeshamakuru. Izindwi za nyuma zaranzwe n'igwirirana riteye amakenga ry'ikubagurwa hamwe n'ihagarikwa ritemewe n'amategeko. Inyuruzwa, kuwa 28 Ndamukiza 2025 mu kigo ca kaminuza ku Mutanga i Bujumbura, rya Willy Kwizera, umumenyeshamakuru w'isamirizi Bonesha FM, ni akarorero kagaragara.Ico carateye ishavu muri ako kazi,biranatera ubwoba kugusubira inyuma caaane kw'uburenganzira bw'ibimenyeshamakuru mu gihugu.

Abamenyeshamakuru babajijwe bavuga « itituka riteye n'ubwoba ry'icuka bakoreramwo », yigana ibikorwa vy'iterabwoba, gukubitwa no guhagarikwa bidasiguritse. « Gukora akazi kacu vyahindutse kwigerezako vyamaho »,tubibarirwa n'umwe muribo, yahisemwo kwihisha kubera ubwoba.

Abo bahinga muvyo amakuru batera akamo vyihuta CNC, ugwego rugenga ibinyamakuru mu Burundi. Barusaba kuva mu gacerere hamwe no kwerekana gose uruhara rwarwo mu bwigenge bwo kumenyesha amakuru. « CNC itegerezwa ku dukingira,ntiyishinge kuturaba », umumenyeshamakuru arashimangira.

Ubutungane nabwo babutako inkubire. Abamenyeshamakuru basaba iyugururwa ry'amatohoza akomeye kugira bamenye bongere bahane abagira ayo mabi abishe, hisunzwe amategeko. « Ntibigikwiye ko banegura kumunwa,ibikorwa biboneka ni kirumara », bivugwa n'umumenyeshamakuru akorera mu karere.

**Umumenyeshamakuru wa Bonesha FM yakubaguwe kandi ahakwa kwicwa mu kigo ca kaminuza**

Kuwa 28 Ndamukiza 2025, Willy Kwizera, umumenyeshamakuru w'isamirizi yigenga Bonesha FM,yarakubaguwe yongera ahakwa kwicwa mu kigo ca kaminuza ku Mutanga i Bujumbura, mugihe yariko atohoza ku buzima bugoye bw'abanyeshure.

Intahe yiwe ibabaje irerekana ingimba hamwe n'igerageza ryibonekeza ryo kuzivya ukuri. Kuvyo avuga, Willy Kwizera, amagara yiwe ubu araje ishinga,yaratwawe kunguvu munyubakwa ikoreramwo uwuserukira abanyeshure. Aho,abantu 6, bakora ku mategeko w'uwuserukira abanyeshure bo muri BACII mu gisata c'ubutunzi, baramuturubitse, bamutera ubwoba ko bomwica, baramuhuragura. Abo bagizi ba nabi bakoresha ivyuma n'inembo, barakomeretsa Willy Kwizera mugiye yari yaje ataco afunguye.

Ico bamwagiriza naco nyene kirahinyitse kandi kiratangaje : gukorera Pacifique Nininahazwe, umuntu atavuga rumwe na Reta y'uburundi ari mu mahanga. Kugerageza kwerekana ko akorera isamirizi Bonesha FM ntibabihaye agaciro. Inyuma yaho akubitiwe akanugaranirwa munzu, yarekuwe ahawe itegeko ryo gushira umukono ku candiko

kimubuza kuvuga ivyamubayeko, ahandiho yoca yicwa.

Aho kuronka umutekano amaze kurekurwa, Willy Kwizera yarashorewe no mu Nyakabiga, abujijwe guca kw'irembo rya kaminuza kugira banyegeze ivyabaye indongozi z'ivyigwa. Intahe yiwe iraserura kandi ko umwe mubamukubaguye yemeje neza ko atari umunyeshure, ariko ari mubigo vya kaminuza ku butumwa butarameyekana.

Amakuru atandukanye dukuraho aradondora ako kazu ka pavion 9 nk'akazu k'umuriro udahera ku banyeshure,ahantu baboreza igufa kandi harengeye ubutungane. Ivyo vyagirizo, hamwe vyoba arivyo, vyerekana ishusho mbi muri kaminuza.

Iryo hohoterwa rihebuje ryagiriwe Willy Kwizera si naryo ryonyene. Riri mu rukwirikirane rw'ayandi mahohoterwa ababaje abuza umwidegemvyo wo kumenyesha amakuru mu Burundi. Mundwi y'imbere yaho, kuwa 21 Ndamukiza, abamenyesha makuru 2, umwe w'isamirizi Nderagakura n'uwundi nyene wa Bonesha FM, bari bahagaritswe n'igipolisi mugihe bariko bakora akazi mu mategeko muri zone Kinama i Bujumbura.

Kuri urwo rukwirikirane rw'amabi,ubuyobozi bw'isamirizi Bonesha FM yaravuze ashimitse, asaba kugurura amatohoza adahengamye hamwe no gushira mu butungane abantu bahohoteye Willy Kwizera bagashaka no kumwica. Ahamagarira kandi indongozi gukingira umutekano w'abamenyeshamakuru mukazi kabo.

Ni ngombwa ko twibutsa ivya Sandra Muhoza, umumenyeshamakuru w'ikinyamakuru La NOVA, ari mu mvuto kuva muri Ndamukiza 2024. Yagirizwa guhungabanya umutekano wo hagati mu gihugu, urwanko rufatiye ku rukoba hamwe no gukwiragiza ubutumwa bubiba amacakubiri,yakatiwe umunyororo w' imyaka 12 kukuba vyonyene yarayaze ku rubuga WhatsApp mu mugwi w'abamenyesha makuru ku vyerekeye itangwa ry'imipanga ryikekwa mu ntara zimwezimwe z'igihugu. Ipfungwa ryiwe ryerekana ububisha buteye amakenga ku mwuga wo kumeyesha amakuru hamwe no guhanahana inkuru.

Ikubagugwa ryagiriwe Willy Kwizera, rifatiwe hamwe n'ayandi mabi ahoza ibimenyeshamakuru, vyerekana itituka riraje ishinga kw'ituze ry'ibimenyesha makuru mu Burundi. Abarundi n'amakungu bategerezwa gushira inguvu hamwe kugira basabe ubutungane kubarenganijwe hamwe n'ituze mu mwuga wo kumenyesha amakuru, inkingi ikenewe muri demokarasi.

### *III.1. AGATEKA KU NDERO*

**Kuzana politike mu ndero muri komine Bugenyuzi, intara ya Karuzi**

Kuwa 30 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 3, mu nyubakwa y'amakoraniro ya komine Bugenyuzi, intara ya Karuzi, habaye inama yo kwihweza umwimbu wavuye mu bibazo rusangi vy'igice ca kabiri.

Kubwo ababivuga bari bahari, haheze igikorwa cambere co gutondeka amashure uko yasumbanije umwimbu bakanashikirizwa ivyo basabwa, baciye batangura integuro y'umusi mukuru wo kuwa 1Rusama.Umuyobozi w'indero muri komine, Serge Gahungu yarasavye abigisha ko bokwitaba kubwinshi umusi mukuru bambaye igitenge baguze kandi yibutsa ko kubigura ari itegeko ku bakozi ba Reta bose n'abaserukira abandi kandi amahera yavyo azotozwa n'abaserukira abandi mu ma komine kandi bizosabwa n'intara. Kubwo umuyobozi w'indero muri komine, hamwe n'abahanuzi biwe, abigisha batazogura ivyo bitenge ni abagwanya i gihugu, (abarimu banka kugura ivyo bitenge ni ibipinga, ni abagarariji b'igihugu,kuko nta buryo babuze). Yongeyeko ko muribo n'aboza mumusi mukuru bambaye amakoti batazokwakirwa kandi batazinjira murugendo rw'umunezero.

Munyuma, yatandukiriye ikindi ca politike aca asaba abigisha atari abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD ko bosohoka kuko ico bagomba bige kitabaraba niko gusaba umuyobozi w'ishure shingiro Cuba2 kuja hanze kugira arabe abasohotse ariko abatari aba CNDD-FDD barasohotse neza kandi barigira.

Kubwo ababibonye bari bahari,yamenyesheje abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD ko itangwa ry'amakarata yo gutora rizoba kuwa 5Rusama 2025 kandi ko umwe wese asabwa kuzoba ahari mu gatondo ka kare.Yongeyeko ko gusiba kukazi ku Bagumyabanga atari icaha kandi mu manama yo guhimiriza,bategerezwa kuza ku kazi ariko isaha y'amanama igeze bazosohoka bagasigira udukorwa abanyeshe bakagennda (birekuriwe aba CNDD-FDD).

### *III.2. AGATEKA KU MAGARA*

**Kubura Ruseha abaniha ku bitaro vy'i Matana mu ntara ya Bururi**

Ibitaro vy' i Matana mu ntara ya Bururi birafise ubukene bwa Rusehabaniha. Iyo ngendeshwa yarapfuye kuva kuwa 30 Ntwarante 2025 kubera isanganya ryabereye kubarabara ry'igihugu 7 neza na neza mu karare ka Migerere hafi y'ibitaro.Iryo bura ry'ingendeshwa rirazingamika ihanahana ry'abarwayi mu karere kose k'ubuvuzi i Matana. Abarwayi barwariye mu mavuriro yose ari muri ako karere baridoga bavuga ko birihira bonyene ingendeshwa z'abigenga iyo barungitswe mubindi bitaro. Muganga Ange Larissa Nsabiyumva arongoye ibitaro vy'i Matana avugako iyo Rusehabaniha yononekaye imoteri iriko irasanurwa.

## IV. AGATEKA K’ABANA

**Uruyoya rutamenyekanye rwatowe muri komine Bukemba, intara ya Rutana**

Kuwa 30 Ndamukiza 2025, mu murima w’igikaju c’ishirahamwe SOSUMO,iruhande y’uruzi Maragarazi, ahantu bita « KWIDIGI KWA NYAWENDA », muri komine Bukemba y’intara ya Rutana, uruyoya rutamenyekanye, rwoba rufise nk’amezi 3, rwaratowe. Kubwo amakuru dukurayo,abantu barengana bumvise amarira y’uruyoya nko ku metero 5 z’ibarabara.Barusanze ari rwonyene, ruri ku gitenge rukanye kuko imvura yari ihejeje kurwa kandi,iruhande yarwo hari agasakoshi ko muntoke karimwo uduhuzu 2 tw’uruyoya, baca barondera hirya no hino muri uwo murima ariko barabura n'umwe yikekwa ko iryo bara. Munyuma, bararondeye amata y’urwo ruyoya hama rubona kuronka utuguvu. Uruyoya rwararonkejwe ubufasha bw’uwitwa Philippe Murumba yarutwaye muhira iwe.Uwo mugira neza y’unguruza abantu ku kinga kandi aba muri karatiye Gasekebuye i Gihofi.

## V. GUSOZERA N’IMPANURO

Umuhari iteka ushira ahabona itituka ryisubiriza ry’ agateka ka zina muntu mu Burundi kandi rikanegura ukudahana abagirizwa amabi.Kuri ako kamaramaza,umuhari iteka uratera akamo kihuta kugira abarongoye u Burundi bafate ingingo zihuta zo guhagarika ayo amabi bongere bahe ikibanza ubutungane n’ukunganisha ku bavukagihugu bose.

**Rirahanura :**

**1.Reta y’uburundi ko :**

Yobuza ibikorwa vy’iterabwoba bikorwa n’Imbonerakure,cane cane mu bihe vy’amatora,

Yogira amatohoza zihuta, zidahengama kandi zimbitse ku mabi yose avugwa, y’iterabwoba, hamwe n’ayo guhagarika abamenyeshamakuru bidaciye mu mategeko, nko gukubagura Willy Kwizera.

Bokubahiriza umwidegemvyo w’ ibimenyeshamakuru,hakurikijwe amategeko y’igihugu hamwe n’amasezerano mpuzamakungu u Burundi bwashizeko umukono.

Yokugurura itohoza vuba bwango, ridahengama kandiryo kumugaragaro ku bivugwa kunyigisho za gisirikare zigirirwa Imbonerakure, hoba harimwo n’abanywanyi b’imigwi igwana hanze y’igihugu (FLN na FDLN).

**2. Ku rwego rw’igihugu rwo kumenyesha amakuru (CNC) :**

Gukora neza akazi karwo ko gukingira uburenganzira bw’ibimenyeshamakuru mu gushikira indongozi rukazihimiriza gukingira umutekano w’abamenyeshamakuru hamwe no kubahiriza uburenganzira bwabo,

Gukingira amateka nshingiro kandi hagahagarikwa amabi akorwa n’ Imbonerakure.